# 150: Nnezerewe ko Data wa twese

1. Nnezerewe ko Data wa twese
Yammenyeshej' urukundo rwiwe;
Mu vyiz' Imana yavuze vyose
Nta kirut' iki ko Yes' ankunda.

Ref: Nnezerewe ko Yes' ankunda,
Arankunda arankunda,
Nnezerewe ko Yes' ankunda,
Naho ntabikwiye.

2. lyo nzimiye nkamubabaza,
Ntareka kunkunda, ntabikwiye,
Kand' ikinsubiz' aho Yes' ari
N'uko nibuk' urukundo rwiwe.

3. Ni nashik' i we mu bgiza bgiwe,
Nzama ndirimb' ik' imisi yose?
Nzama mmubazish' indirimbo nti
Yesu n' iki cakunkundishije?

4. Kand' urukundo ni rwo rwazanye
Yesu kuncunguz' urupfu rubi,
Kukw arankunda, ndabizi neza,
Nanje ndamukunda ndamushima

Visit us at burundi.indirimbo.com